*Gitugutu / Oktober 2021* *kirundi*

**Aramutakambira ngo yirukane ishetani mu mukobwa wiwe.** (Mariko 7,26)

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

## Gumako!
## Keep inb touch!

Bakunzi ba go4peace,

Yari umugore akiri muto. Yaba mu gisagara gitunze co ku kivuko i Tiri ariho muri Libani ya kino gihe. Mu bitito vya kera vy'Abagereki, bavuga ko aho hoba ari ho Uburaya bwavukiye. Ba sekuru b'uyo mukenyezi bakomoka mu Bugereki. Ntiyari bwace n'ikanda ivyerekeye idini y'Abayahudi. Ababanyi bose bari abapagani. Ni naco catuma Abayahudi babagereranya n'„imbwa". Eka n'ubuzima bwo mu muryango ntibwari bumworoheye. Yari afise umwigeme. Nawe akaba yari yarigorewe. Yaguma ahiherereye ntaje mu bandi. Yari yarahumanye, bigatuma bagira bati „aratyoye", kandi ngo „arimwo amashetani". Eka asa n'uwaguma aryamye mu gitanda.

Uyo mukenyezi w'umuyabaga yari yarageragejе ibitari bike. Yari yarumvise ivyerekeye Yezu. Ugasangwa nawe yari yashitse mu gisagata ca Tiri. Yari yagenze ibilometero 60 ava ku kiyaga ca Genezareti aza i Tiri. Yishakira kumara imisi mikeyi ari wenyene. Ariko umuzo wiwe ntiwashobora na mba kuguma utamenyekanye. Niho rero uyo mukenyezi yagenda kwa Yezu afise uyo mutwaro wiwe, aramusaba ngo amukirize umukobwa. Yezu aramwihoza. Ati erege jewe natumwe ku Bayahudi, „abana bo mu nzu y'Imana", si ku bapagani. Niho yamubwira rero ati : „ ntibibereye gufata umukate w'abana ngo bawuterere utubunda". Ariko uyo mukenyezi ntiyashizwe namba. Yagomba vy'ukuri ko umukobwa wiwe akira. Niko kuvyumvisha Yezu mu kumubwira ati : „Ni vyo Mwigisha. Ariko n'utubunda turi musi y'imeza turarya utuvunguka dukorotse tuva ku meza y'abana". Iyo nyishu Yezu ntayo yari yiteze. Uwo mwete w'uyo mugore waramukozeko. Niho Yezu yaca agondozwa aramukiriza umukobwa ati : „ igire muhira, ishetani yavuye mu mwigeme wawe".

Hari umusore atari yorohewe muhira. Se wiwe yari yarataye umuryango. Mu kangaratete yarimwo yari yizigiye Yezu gusa. Yari yararondereye mu mashengero menshi ariko arabura icomushika ku nyota. Niho rero yaza yatora ico yipfuza, igihe yubura amakanda ya Yezu. Gushika ico gihe, ivy'amadini vyamubera nk'ibitaryosha umuziki. Ariko agapfa kubijamwo. Niho rero yaja mu nama ubwa mbere, yakirwa neza. Aca aguma yisubiriza agenda mu mahwaniro. Buke buke arateba arategera ingene Yezu amwegereye. Niho rero hashika igihe aza yaraganira Yezu - mu gacerere - ko yipfuza kumwegukira BWEGU. Haciye rero hatangura akatabonetse ko mu buzima bwiwe! Vyabaye rero vyiza ko yari yahagumye – kandi ari na vyo yipfuza. **Gumako! Keep in touch!**

Kubwa go4peace Meinolf Wacker